REPUBLIQUE DU BURUNDI

REPUBLIKA Y'UBURUNDI

Parti CNDD-FDD
Conseil National pour la Défense de la Démocratie - Forces pour la Défense de la Démocratie.

Umugambwe CNDD-FDD
Inama y'abanyagihugu baharanira Demokarasi.

ITANGAZO RY'UMUGAMBWE CNDD-FDD UHURIKIWEMWO ABAGUMYABANGA BATAGIRA AHO BAVUGIRA N'ABAGUMYABANGA BIYEMEJE KWUBAHIRIZA AMATEGEKO.

Inyuma y'inama y'Abagumyabanga batagira aho bavugira yabereye i Nairobi muri Kenya kw'igenekerezo rya 8 Myandagaro 2014 hagafatwa imwe mu ngingo isaba abo bagumyabanga kwegera Abagumyabanga biyemeje ukwubahiriza amategeko no kugirana ibiganiro na bo mu ntumbero yo gukurikiranira hafi ingorane zibahanze n'izihanze umugambwe CNDD-FDD n'igihugu muri rusangi, ico ciyumviro caragiye mu ngiro. Imibonano hirya no hino no hanze y'igihugu ahari abo Bagumyabanga bompi yarabaye, impande zose zahavuye zihitamwo kwunga urunani rugizwe n'Abagumyabanga b'intungane biyemeza kugendera ingingo zapfundikiwe i Gitega ku magenekerezo ya 7 na 8 myandagaro, aho umuhari CNDD-FDD wahinduka umugambwe. Aho hakaba hari kw'igenekerezo rya 7 na 8 myandagaro 2004. Impande zose zari zunvikanye ko ivyapfunditswe biguma hagati y'abayoboke babo gusa, ariko abahinga b'impande zose bahavuye basanga ko abarundi bose bamenya ivyari vyapfunditswe muri aya majambo.

1. Impande zose zabo Bagumyabanga zarerekanye ziremanga ko zikigendera amategeko y'umugambwe CNDD-FDD apfunyapfunye mu ngingo 39 zapfundikiwe mw'Ikoraniro Kaminuza ryabereye i Gitega zitegeka buri Mugumyabanga kwubahiriza Demokarasi n'agateka ka zina muntu mu gihugu no kubaha itunga ry'igihugu ku bisabwa vyose bijanye n'ikoreshwa ryaryo no kuribungabunga, n'ibindi.

2. Impande zose zahurije kw'ijambo ry'uko hari akarwi gapfukamye mu nda igihugu n'umugambwe, bariyemereza ko umwe wese ari mu bakagize batamufata nk'umugumyabanga.

3. Bahavuye biyemeza kurwanya ingendo mbi yo guturubika no gukumira Abagumyabanga benshi bitanze mu rugamba bitewe n'uko ubu abagenwa

mu burongozi ari ba ***NZISABIRA*** b'akarwi gapfukamye mu nda igihugu n'umugambwe bafise uburyo kandi bazi ko ukuja mu mabanga y'umugambwe, guhabwa akazi canke kuja ku ntonde z'abaserukira abandi mu matora ubanza gupfumbatisha canke kuba waremeye kuba ***MUGABONIRYO***.

4. Impande zose zapfunditse ko zizokwama ziha umuco Abarundi n'amakungu kw'itandukanirizo riri hagati y'urwaruka rw'Imbonerakure za CNDD-FDD n'abahoze ari abarwanyi, narirya imboneza z'impande zibiri arizo zashinze mu mihari y'Imbonerakure n'Abakenyererarugamba ikomoka kuri CNDD-FDD, hakaba hari mu mwaka wa 1996. Aho ni mu ntumbero yo kwiyamiriza abiheka kw'izina ry'urwo rwaruka mu gukoresha ibikorwa bigayitse abahoze ari abarwanyi bo mu mihari itandukanye.

5. Baremanze ko bazokora ibishoboka kugira ngo ubushikiranganji bwo kwivuna abansi bujejwe n'abahora ari abarwanyi kugira bufate mu minwe ikibazo c'abo bahoze ari abarwanyi ubu bakoreshwa ibikorwa bigayitse n'umugambwe wiyita CNDD-FDD na bamwe bamwe bari mu nzego z'umutekano nka kurya kwa ba ***NURWEZE Michel*** batazira ***RWEMBE*** n'abandi.

6. Ku bijanye n'uburongozi nk'uko vyasabwe n'impande zose zaserukiwe kw'isonga n'intumwa ya El Hadj Hussein RADJABU yaje iva mu bihugu vya Buraya n'umushingamateka Manasse NZOBONIMPA, bapfunditse mu kurindira imanza zashinzwe n'impande zompi muri Sentare Ntahinyuzwa ku bijanye n'ihonyangwa rya Demokarasi mu mugambwe hamwe n'ubunyonyezi bw'amahera Ubugande bwarishe Uburundi akitirirwa infashanyo y'amakaye canke igurwa ryayo, zibanze zive mu nzira kugira habe amatora bose babonye ko impande zibiri zoba zirayoboka inzego zari zirongoye umugambwe imbere yuko uzanwamwo akajagari.

7. Kuri ivyo, hapfunditswe ko abatigeze baja mu yindi migambwe kandi bavyemanga ko baguma mu mabanga yabo kugeza izo manza zicike, abatakiri muri CNDD-FDD canke abari ku rundi ruhande bagasubirizwa. Umushingamateka Manasse NZOBONIMPA ka munyamabanga mukuru w'umugabwe abihabwa n'iyo ngingo, akaba ari we bashimye ko avugira urunani.

8. Barapfunditse ko bazoguma bacuditse n'incuti z'Umugambwe wabo CNDD-FDD bagashobora kugirana urunani n'umugambwe canke imigambwe yubaha akaranga mutima ka CNDD-FDD n'ingingo zawo 39 zapfundikiwe i Gitega 2004.

Abagumyabanga ba CNDD-FDD bagize urwo runani rw'intungane basubiye kugaragaza umubabaro wabo kw'igandagurwa ry'ababikira bo mu muryango w'aba Xaveriyano bo kuri paruwasi Kamenge bongera basaba ko hakorwa amatohoza atarimwo udusembwa, kuko ayariko arakorwa adahumuriza. Bagasaba kandi ko abarundi n'abanyarwanda bagira amatohoza n'umwete ntangere kubijanye n'ibiziga vyari bimaze iminsi bireremba mu Kiyaga Rweru. Barashigikiye iciyumviro c'abashingamateka b'Umuryango w'ibihugu vya bulaya c'uko hoba amatohoza y'ibihugu bibiri, Uburundi n'Urwanda.

Mu kurangiza,baboneyeho akaryo ko gushimira abari mu nzego z'umutekano bigenjeje neza mu ngorane abarundi bagiye baracamwo na cane cane urwego rw'igisirikare,tukaba tubasaba kubandanya muri iyo ngendo ibahesha iteka.

Bigiriwe i Nairobi,

kw'igenekerezo rya 24 Nyakanga 2014

Umushingamateka **Manase NZOBONIMPA**

Umunyamabanga Mukuru akaba n'Umuvugizi w'urunani